# IKIYAGO
## c' Inama Nshingamateka

www.assemblee.bi www.flickr.com/inamanshingamateka Facebook: Inama nshingamateka twitter:@nshingamateka
youtube: www.youtube.com/channel/UCeQK6fYnNXBCQLm7w4KV2jw


# Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakiriye Urumuri rw'amahoro mu ntara avukamwo ya Kayanza

P:21



### GUTORA AMABWIRIZWA

Inama Nshingamateka yarakoranye mu nama ya bose kugira ngo yige yongere ihinyanyure ibwirizwa inimero 1/22 ryo ku wa 30 kigarama 2011 risubiramwo indinganizo y'inyigisho muri kaminuza

P: 13

### GUSHIMIRA IMANA

Umukuru w'Inama Nshingamateka mu rushengero rw'urutare rw'i Buye, i Ngozi.

P:15

### PORITIKE

Umukuru w'Inama Nshingamateka yararongoye inama y'ihuriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zo mu bihugu bihurikiye mu karere k'ibiyaga binini FP/CIRGL.

P:23


**N°:2/2020 Gitugutu 2020**

**Gisohoka rimwe mu kwezi**

Palais des Congrès de Kigobe

B.P: 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / 22 26 70 07

# ABASHINGAMATEKA B'IKIRINGO CA

# 2020-2025



**Très Hon. Gelase Daniel NDABIRABE**
**Umukuru w'Inama Nshingamateka**
**KAYANZA - Hutu - CNDD-FDD**



**Hon. Sabine NTAKARUTIMANA**
**Icegera ca mbere c' Umukuru w'Inama Nshingamateka**
**MUYINGA - Hutu- CNDD-FDD**



**Hon. Abel GASHATSI**
**Icegera ca kabiri c' Umukuru w'Inama Nshingamateka**
**MURAMVYA- Tutsi - UPRONA**

# ABARONGOYE IMIRWI YAMAHO MU NAMA NSHINGAMATEKA

**Hon. Claude NAHAYO**
NGOZI - HUTU - CNDD-FDD
Arongoye umurwi wamaho ujejwe intwaro ibereye no gushira mu minwe y'abikorera utwabo amashirahamwe, inyubako n'ibindi bikorwa Leta ifisemwo imitahe.





**Hon. Agathon RWASA**
NGOZI - HUTU - CNL
Icegera c'uwurongoye umurwi wamaho ujejwe politike, intwaro, imigenderanire n'amakungu hamwe n'ibihugu bigize akarere ka Afirika y'Ubuseruko.

**Hon. Jocky Chantal NKURUNZIZA**
RUYIGI - TUTSI - CNDD-FDD
Arongoye umurwi wamaho ujejwe uburimyi, ubworozi ibidukikije, guteza imbere ama komine hamwe n'ibikorwa vya Leta





**Hon. Evariste NDIKUMANA**
MAIRIE - TWA
Arongoye umurwi wamaho ujejwe ubutungane n'agateka ka zina Muntu.

**Hon. Zénon NDARUVUKANYE**
BUJUMBURA - HUTU - CNDD-FDD
Arongoye umurwi wamaho ujejwe umutekano no kwivuna abansi





**Hon. Pamphile MALAYIKA**
MUYINGA - HUTU - CNL
Arongoye umurwi wamaho ujejwe imibano, guhungura impunzi, kunganisha amahirwe no kurwanya SIDA.

**Hon. Felix MPOZERINIGA**
NGOZI - HUTU - CNL
Arongoye umurwi wamaho ujejwe indero, urwaruka imico kama nogutumatumanako amakuru.





**Hon. Nestor NTAHONTUYE**
RUYIGI - HUTU - CNDD-FDD
Arongoye umurwi wamaho ujejwe ibibazo vy' ubutunzi.



Hon. Donathile BACIMISI
CIBITOKE - HUTU - CNL



Hon. Réverien BANTEYUBWOBA
KIRUNDO - HUTU - CNL



Hon. Chantal BARAMPAMA
BUJUMBURA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Nadine BARAMPAMA
KARUSI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Ildephonse BARYANINTIMBA
KIRUNDO - HUTU - CNL



Hon. Médiatrice BAZIZANA
NGOZI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Emmanuel BIGIRIMANA
CIBITOKE - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Salvator BIGIRIMANA
CANKUZO - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Zénon BIGIRIMANA
MWARO - HUTU - CNL



Hon. Edmond BIGIRUMUHIRE
KIRUNDO - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Rémy BIGIRUMUSASE
KIRUNDO - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Simon BIZIMUNGU
CIBITOKE - HUTU - CNL



Hon. Pascal BIZUMUREMYI
RUYIGI - HUTU - CNL



Hon. Petronie BUCUMI
BURURI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Elias BUREGURE
MAIRIE - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Désiré BUTOYI
GITEGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Emmanuella CISHAHAYO
RUMONGE - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Rédempteur GAHITIRA
MUYINGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Thacien GAHUNGU
RUYIGI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Pascal GIKEKE
MAIRIE - HUTU - CNL



Hon. Fidélité HABARUGIRA
GITEGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Lyduine HABARUGIRA
BURURI - HUTU - CNL



Hon. Suavis HABONARUGIRA
GITEGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Georges HAKIZIMANA
MAIRIE - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Léopold HAKIZIMANA
KAYANZA - HUTU - CNL



Hon. Alice HARERIMANA
CIBITOKE - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Laurent HARUSHIMA
MAKAMBA - HUTU - CNL



Hon. J. Claude HASABINTWARI
KIRUNDO - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Athanase HATUNGIMANA
BURURI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Godeberthe HATUNGIMANA
RUTANA - TUTSI - CNL



Hon. Dieudonné HIBONEYE
NGOZI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Alice INAMUCO
MAIRIE - TUTSI - CNL



Hon. M. Claire KANEZA
MUYINGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Denis KARERA
GITEGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Evariste KAYOBERA
KARUSI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Cathy KEZIMANA
BUJUMBURA - TUTSI - CNL



Hon. J. Claude KWIZERA
MWARO - TUTSI - CNL



Hon. Aline MANIRABARUSHA
MUYINGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Alexis MANIRAKIZA
BUBANZA - HUTU - CNL



Hon. Come MANIRAKIZA
BUBANZA - HUTU - CNDD-FDD


Hon. Emile MANIRAKIZA
BURURI - HUTU - CNL


Hon. Francine MANIRAKIZA
RUTANA - HUTU - CNDD-FDD


Hon. Antoine MANIRAMBONA
MAKAMBA - TUTSI - CNDD-FDD


Hon. Prosper MANIRAMBONA
MURAMVYA - HUTU - CNDD-FDD


Hon. Thérence MANIRAMBONA
GITEGA - HUTU - CNL


Hon. J. Berchmans MBANYE
BUJUMBURA - HUTU - CNL


Hon. Sauda MBONEKO
BUJUMBURA - HUTU - CNDD-FDD


Hon. Parfait MBONINYIBUKA
RUTANA - TUTSI - CNDD-FDD


Hon. Violette MINANI
RUTANA - TUTSI - CNDD-FDD


Hon. Zachée MISAGO
MAKAMBA - HUTU - CNDD-FDD


Hon. Justine MPAWENAYO
NGOZI - HUTU - CNDD-FDD


Hon. Euphrasie MUTEZINKA
KIRUNDO - TUTSI - CNL


Hon. Lazare MVUYEKURE
GITEGA - HUTU - CNDD-FDD


Hon. Réverien NAHAYO
RUTANA - HUTU - CNDD-FDD


Hon. Dieudonné NAHIMANA
BUJUMBURA - HUTU - CNDD-FDD


Hon. M. Rose NAHIMANA
CANKUZO - TUTSI - CNDD-FDD


Hon. Euphrasie NAKAMANA
KARUSI - HUTU - CNDD-FDD


Hon. Léonidas NAKUMURYANGO
KARUSI - HUTU - CNDD-FDD


Hon. Bernard NDAYISENGA
MAIRIE - HUTU - CNL


Hon. M. Rose NDAYISHIMIYE
MUYINGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Anicet NDAYIZEYE
KAYANZA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Antoinette NDIKUMAGENGE
CANKUZO - HUTU - CNL



Hon. Janvière NDIRAHISHA
MAKAMBA - HUTU- CNDD-FDD



Hon. Dieudonné NDIZEYE
KARUSI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Bernardine NDUWIMANA
MWARO - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Déo NDUWIMANA
RUMONGE - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Hassan NDUWIMANA
MUYINGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Nicodème NDUWIMANA
MURAMVYA - HUTU - CNL



Hon. Patricie NDUWIMANA
KAYANZA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Sylvestre NGENDAKUMANA
KAYANZA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Solène NGENDAKUMANA
RUMONGE - TUTSI- CNDD-FDD



Hon. Néema NIBITANGA
CIBITOKE - TWA - UNIPROBA



Hon. Antoinette NIBIZI
KIRUNDO - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Epimeny NIBIZI
NGOZI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Agrippine NIHORIMBERE
RUMONGE - TUTSI - CNL



Hon. Céline NIJIMBERE
KARUSI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Onesphore NIJIMBERE
MAKAMBA - HUTU - CNL



Hon. J.Claude NIMUBONA
MURAMVYA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Silas NIRAGIRA
MURAMVYA - HUTU - CNNDD-FDD



Hon. Bénigne NISHIMWE
KIRUNDO - HUTU - CNDD-FDD

Palais des Congrès de Kigobe
B.P: 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / 22 26 70 07



Hon. Célestin NITANGA
RUMONGE - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Martin NIVYABANDI
MUYINGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Alice NIYITUNGA
CIBITOKE - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Justin NIYOBUHUNGIRO
CIBITOKE - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Alodie NIYONKURU
CANKUZO - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Pélate NIYONKURU
KAYANZA - HUTU - CNL



Hon. M. Rose NIYONSABA
RUYIGI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Constantin NIYONZIMA
NGOZI - HUTU - CNNDD-FDD



Hon. J. Baptiste NIYONZIMA
BUBANZA - TUSTI - CNDD-FDD



Hon. P. Claver NIYUBAHWE
KAYANZA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Sylvie NIZIGAMA
BUBANZA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Fébronie NIZIGIYIMANA
MURAMVYA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Constantin NKENYEREYE
RUYIGI - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Jacqueline NKURUNZIZA
NGOZI - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Ritha NSABIMANA
KIRUNDO - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Jean NSHIMIRIMANA
MUYINGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. M. Immaculée NTACOBAKIMVUNA
GITEGA - HUTU - CNL



Hon. J. Marie NTAGAHORAHO
GITEGA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Obed NTAKIYIRUTA
RUMONGE - HUTU - CNL



Hon. Anicet NTIRAMPEBA
KAYANZA - TUTSI - CNDD-FDD

Palais des Congrès de Kigobe
B.P: 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / 22 26 70 07



Hon. Dévote NTISUMBWA
MAKAMBA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Bède NYANDWI
RUTANA - HUTU - CNL



Hon. Zainabu NZEYIMANA
GITEGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Charles RUGEMA
KARUSI - TUTSI - CNL



Hon. Catherine RWASA
KIRUNDO - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. J. Baptiste SINDAYIGAYA
KIRUNDO - TWA - UJEDECO



Hon. Apollinaire SINDAYIKENGERA
MWARO - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Gaston SINDIMWO
MAIRIE - TUTSI - UPRONA



Hon. J.Pierre SINZINKAYO
BUJUMBURA - TUTSI - CNDD-FDD



Hon. Venant SINZINKAYO
GITEGA - HUTU - CNDD-FDD



Hon. Olivier SUGURU
BUBANZA - TUTSI - CNDD-FDD

# Inama Nshingamateka yaremeje integuro y'ibwirizwa isubiramwo ibwirizwa N°1/08 ryo ku wa 28 ndamukiza 2011 rigenga itunganywa ry'intwaro mu gihugu



Ba buramatari baserukira umushikiranganji wa mbere mu ntara barongoye. Ivyo ni bimwe mu vyashikirijwe n'abashingamateka, ku munsi wa kabiri, igenekerezo rya 29 nyakanga 2020, n'Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere ry'amakomine n'umutekano mu gihe bari baramutse biga integuro y'Ibwirizwa isubiramwo Ibwirizwa inomero 1/08 ryo kuwa 28 ndamukiza 2011 rigenga itunganywa ry'intwaro mu gihugu, iyo Nteguro y'Ibwirizwa ikaba yahavuye yemezwa ijana kw'ijana. CPC Gerevasi Ndirakobuca yariko araha inyishu abashingamateka bavuga ko ba buramatari bahura n'inzitizi mu mirimo yabo; ivyo navyo ngo bigaterwa n'ukungene amategeko yubatse. Bishimikije ingingo za 26 na 30 z'iyi nteguro y'ibwirizwa yariko irigwa, abashingamateka baragaragaje ingene buramatari agira ingorane zo kugenzura imirimo y'ubuhinga butandukanye ikorerwa mu ntara iwe, nka kurya umushikiranganji wa mbere agenzura ubushikiranganji bwose. N'ikibigaragaza, ngo ntibishoboka kugenzura abakozi udafiseko ububasha bwo gutanga iciyumviro c'umwimbu wabo, ico bita bulletin de notation mu rurimi rw'igifaransa. Kandundura, ba buramatari n'abunganizi babo ngo ntibagira itegeko na rimwe ribagenga, bisigura ko ata n'umushahara uzwi bahembwa, ngo baronka mu kibanza c'uyo mushahara ivyo bita « frais de représentation ».

Ico kibazo ngo kiribonekeza no ku rwego rw'amakomine. Uwaserukiye Reta, mu mvo n'imvano, yasiguye ko igitumye Ibwirizwa inomero 1/08 ryo ku wa 28 ndamukiza 2011 rigenga itunganywa ry'intwaro mu gihugu risubirwamwo, ari uko ritakijanye n'ibihe vya none.

Ngo kuva hajaho Ibwirizwa Shingiro rishasha ryo mu 2018, iryo bwirizwa ryahavuye ridakurikiza intumbero y'ibwirizwa riruta ayandi mabwirizwa, aririyo Bwirizwa Shingiro.

Ati iryo bwirizwa ryo mu 2011 ryagenga ibisata bijanye n'ivyegera vy'Umukuru w'igihugu, mu gihe ubu ari umwe. Vyongeye, ntiritegekanya igisata c'umushikiranganji wa mbere, kanatsinda n'Ibwirizwa Shingiro ryo mu 2005



ntiryabitegekanya. Ati iyi nteguro y'iri bwirizwa ije gukosora ako kanenge, kugira hisungwe Ibwirizwa Shingiro rishasha mu gushiramwo itunganywa ry'ivyo bisata vy'umushikiranganji wa mbere hamwe n'Icegera c'Umukuru w'igihugu.

Iruhande y'ivyo, mw'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu inomero 100/037 ryo kuwa 19 ndamukiza 2018 rigenga intwaro, gukora hamwe n'imirimo ya Repuburika y'Uburundi, ubushikiranganji bumwe bwarashizwe hamwe, mu ntumbero yo gutunganya Reta ikomeye kandi ibangutse. Ivyo navyo bituma abarongoye ibisata bikuru vy'ubwo bushikiranganji, na cane cane umunyamabanga ntayegayezwa, yisanga afise ibikorwa vyinshi, bisaba ubuhinga buhambaye.

Ni naco gituma iyi nteguro y'ibwirizwa itegekanya ko ubushikiranganji bumwe bwogira umunyamabanga ntayegayezwa umwe canke arenga, bivanye n'ibikorwa vyiyongereye ku vyahahora.

Hari umushingamateka yabajije igituma Reta yagabanije ubushikiranganji, ariko ku rundi ruhande ica itegekanya kugwiza abanyamabanga ntayegayezwa, ko naho nyene uburyo bizotwara butoguma ari bwinshi.

Imbere yo gutanga inyishu, CPC Gervais NDIRAKOBUCA, yabanje kubavunira akagohe, ati ibwirizwa rivugira muri rusangi. Ngo nayo ubundi, ico kibazo cari cabajijwe n'umurwi wize ushimitse iyo nteguro y'ibwirizwa.

Ati ivyiza, ni uko igisata cose c'ubuhinga coronka umunyamabanga ntayegayezwa. Naho biri uko, yarabahumurije ko igitigiri cabo kitazorenga icahahora. Vyongeye, afatiye ku gitigiri c'ubushikiranganji cagabanutse, yarabijeje ko ata butunzi bw'igihugu buzohatakarira, naho abo banyamabanga ntayegayezwa bazoba barenga umwe mu bushikiranganji.

Ni irihe tandukanirizo riri hagati y'akazi ka poritike, n'akazi k'ubuhinga, ku vyerekeye abanyamabanga ntayegayezwa n'abunganizi b'abashikiranganji ?

Yishuye ati: abanyamabanga ntayegayezwa bakora imirimo y'ubuhinga, mu gihe abunganizi b'abashikiranganji bari mu bibanza vya poritike. Urwego rw'abanyamabanga ntayegayezwa rwashinzwe mu ntumbero yuko Uburundi bwifatanya n'ibindi bihugu vyo mu muryango w'Afirika y' ubuseruko. Yamara, ijambo « ntayegayezwa » ni iryo kwitonderwa. Mu bisanzwe ni icariho c'umushikiranganji, iyo atari hafi, aramusubirira. Inkomoko ya « ntayegayezwa » bayitiye mu rurimi rw'icongereza. Ntawoshoka yibaza ko ico kibanza kiba kimwegukiye bwegu; haba namba.

Kanatsinda iyo ngendo yo kwihagira akazi ntiyokunda mu mirimo rusangi, ivyo bita « services publics »

**Christine NAHIMANA**



# Inama Nshingamateka yarakoranye mu nama ya bose kugira ngo yige yongere ihinyanyure ibwirizwa nomero 1/22 ryo ku wa 30 kigarama 2011 risubiramwo indinganizo y'ubumenyi muri kaminuza



Inama Nshingamateka yarakoranye mu nama ya bose kugira ngo yige yongere yemeze integuro y'ibwirizwa risubiramwo



ibwirizwa rigenga indinganizo y'ubumenyi mu ma kaminuza. Iryo sasa ry'Inama Nshingamateka ryari rirongowe na Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe arongoye Inama Nshingamateka. Umushikiranganji Gasupari Banyankimbona arongoye ubushikiranganji bw'indero yari yaserukiye Reta yamenyesheje mu mvo n'imvano y'uko iyi nteguro y'ibwirizwa ije gutomora amategeko y'ibisata vy'ubumenyi bitandukanye vy'amakaminuza, gushiraho urwego rw'igihugu rujejwe gutunganya ubumenyi mu Burundi kuva mu mashure y'intango gushika mu ya kaminuza hisunzwe wa mugambi wa Reta (PND 2018-2027) mu gice cawo ca 5 c'uwo mugambi hatirengagijwe kuraba y'uko amategeko y'igihugu na mpuzamakungu mu bijanye n'indero yubahirijwe. Iyi nteguro y'ibwiriza ije kubera umuti ibibazo bijanye n'impapuro z'umutsindo hamwe n'izindi mpapuro ziranga imyimenyerezo inyuma y'amasaha y'akazi ikongera ikerekana ivyerekeye ugukarihirizwa ubwenge n'ababukarihirizwa ingene boroherezwa. Iyi nteguro



y'ibwirizwa kandi inyishu izaniye umwuga w'abigisha ba kaminuza ni uko ari umwuga wuzuye. Iyo nteguro y'ibwiriza ije guha agaciro urupapuro rw'umutsindo rw'amashure y'imyuga haba mu bigenga canke mu mashure ya Reta kandi hashizwe imbere kwubahiriza amasezerano y'ibihugu vyo muri kano karere yateweko igikumu n'Abakuru b'Ibihugu n'ama Reta yabereye i Dar es Salam muri Tanzaniya. Iyi nteguro y'ibwirizwa irategekanya ingene abana bize muri ya mashure y'abana baciye ubwenge cane( école d'excellence) biga gushika muri kaminuza, idasize inyuma itunganywa ryiza muri kano karere ku bijanye n'ibiciro vy'amashure BMD. Umushikiranganji Gasupari Banyankimbona ahejeje gutanga imvo n'imvano yatumye Reta irungika iyo nteguro y'ibwirizwa, Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye asaba umukuru w'umurwi wamaho ujejwe urwaruka ,indero utugenegene, akaranga, imico n'ugutumatumanako ngo ashikirize icegeranyo c'uwo murwi. Abashingamateka babandanije babaza bongera bunganira kandi batanga intererano zabo ku makenga bari bafise. Abashingamateka barabajijje ingene abana bagendana ubumuga bw'umubiri buboneka boja mu makaminuza kandi batize kumwe n'abandi; aha twovuga abiga kuri école Notre Dame de Gitega, hamwe n'ikibazo kijanye no gushira amakaminuza ku rugero rumwe rw'ukurihisha amafaranga yishure; Umushikiranganji yamenyesheje yuko ubushikiranganji bwiteguye kwakira abo bana bamugaye kandi yuko na barya bana bavuye mu mashure y'incabwenge bariko barabitegurira kandi mu mwaka wa mbere bakazoshirwa mu bisata vya mbere bikomeye nk'ubuganga, uburumyi n'ubworozi n'ibindi bisata. Ku kibazo kijanye n'uko amashure ya kaminuza yoja ku rugero rumwe rwo kurihisha amafaranga y'ishure, Umushikiranganji w'indero yamenyesheje abashingamateka ko kaminuza yose ifise ingene yitunganije ati rero biragoye kuzishira ku rugero rumwe. Ku vyerekeye abanyeshure bagendana ubumuga ati nta n'umwe yari bwidoge ariko ubushikiranganji bwaravyiteguriye nk'uko hariko harubakwa amashure akwije ibisabwa kugira ngo abo banyeshure nabo boroherwe. Umushikiranganji yabandanije amenyesha abashingamateka y'uko hariho ingingo nyinshi zitaba zanditswe ,ariko zikoreshwa mu gukurikiza ibwirizwa. Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe yaciye asaba abashingamateka bari bitavye ivyo bikorwa kugira ico bavuze ku mpinyanyuro zashikirijwe n'umurwi wamaho: 15 zijanye n'ivyanditse hamwe na 15 zijanye n'inyandiko zaremejwe na banyakubwa abashingamateka, nayo 2 zari zatanzwe n'abashingamateka kuvyo bokwongeramwo zarahakanywe, 71 barabihakanye kuri 98 bari bitavye iyo nama. Iyo nteguro y'ibwirizwa ikaba yaremejwe ijana kw'ijana.

**Christine NAHIMANA**

# Umukuru w'Inama Nshingamateka mu rushengero rw'Urutare rw'i Buye i Ngozi.

Umukuru w'igihugu, Generare Majoro Varisito Ndayishimiye, ariko arashira mu ngiro ivyo nyakwigendera umukuru w'Igihugu Petero Nkurunziza yari yarabuye. Ivyo ni ivyashikirijwe ku munsi w'Imana, igenekerezo rya 20 nyakanga 2020 n'Umukuru w'Inama Nshingamateka. Ni mu gihe Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe yariko arashikiriza ijambo mu rushengero rw'Urutare i Buye, aho ni muri komine Mwumba yo mu ntara ya Ngozi. Yaribukije ko umuhisi Umukuru w'igihugu Petero Nkurunziza yigeze kuvuga ko ubwenge bw'Abarundi bwari



bwarazimiye, bugiye kugaruka. Muri ico gihe, nta n'umwe yatahura insiguro y'ayo majambo. Ati umuntu yibajije igihe izo mburi zavugiwe, n'ibiriko biraba, biragaragara ko ari Imana iriko irakora. N'ikimenyamenya, ngo ni uko ku wa 19 myandagaro 2020, Reta yamenyesheje ko yahejeje gutunganya urutonde rw'ibikorwa, ico bita «Plan d'actions» mu rurimi rw'igifaransa. Bukeye bwaho, kw'igenekerezo rya 20 myandagaro 2020, Reta yarasiguye ko muri urwo rutonde harimwo ingendo zitatu, arizo Reta Mvyeyi , Reta Nkozi na Reta Nsenzi. Kubwa Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe, ijambo ry'Imana ni agatangaza. Ngo yihweje izo mburi, asanga ari umugisha Imana yahaye Abarundi kugira bazanzamuke, bubake Uburundi kugira igihugu gitere imbere gusumba. Yaribukije kandi ko nyakwigendera Umukuru w'igihugu Petero Nkurunziza yamenyesheje ko Samuragwa, Generare Majoro Varisito Ndayishimiye atari umuntu asanzwe mu gihe azorahira imbere y'Imana n'abenegihugu, nk'uko bitegekanijwe muri iri Bwirizwa Shingiro rishasha. Ati Umuhisi yarakoreshejwe kugira abibwire Samuragwa. Ati n'igikorwa c'Imana. Mu nyigisho yiwe, Pasitori Denise Bucumi Nkurunziza yisunze ubutumwa buri mu Migani 15:3 no mu Baheburayo 4: 13; ari nako guca asoma iyo mirongo, aca atumirira ishengero ryari aho guhaguruka: ati «Inyonga z'Uhoraho ziri ahantu hose, zitegereza ababi n'abeza». «Kandi imbere yayo, nta caremwe gihishijwe, ariko vyose vyambaye ubusa. Biragaragara imbere y'inyonga z'iyizotubaza ivyo twakoze». Icatumye ahitamwo iyo mirongo, ngo ni uko yibutse amajambo atatu ngenderwako, nk'uko abigisha b'ijambo ry'Imana babategeka kwama bayashize ku muzirikanyi. Ayo majambo yavuga ngo: «Dieu est omniprésent». Ni ukuvuga ko Imana ibera hose ica rimwe. Irindi ngo: «Dieu est omniscient», bisigura ko Imana ari inyabwenge, izi vyose. Ahandi naho ngo : «Dieu est omnipotent». Ni ukuvuga ngo n'Imana ihambaye kandi ishoboye vyose. Babibigisha mw'ishure rya Bibiliya kugira ngo ntihaze hagire umuntu azokwigira uwuhambaye imbere y'Imana; ngo ntihagire umuntu kumbure azokwiga cane, ngo ahave yibaza ko azi vyose ku buryo abirusha n'Imana; kwari ukugira tumenye ko ata na hamwe dushobora kwinyegeza Imana. Uwo mwitwarariko ngo niwo watumye atora ijambo ngenderwako ry'uwo munsi rivuga ngo: «Ntakinyegejwe Imana ». Gutekana, guhumura no kugira ico utinya mu ntumbero yo kwirinda gukora inabi, ivyo nivyo vyiyumviro bibiri nyamukuru umuntu yozirikana mu nyigisho z'uwo munsi, nk'uko Pasitori Denise Bucumi Nkurunziza yabibashikirije. Ati mu gihe uri mu bihe bitoroshe, n'uce wibuka ko Imana yarokoye Abayahudi na wewe izogutabara. Yaboneyeho gusigura izaburi ya 39, mu ntumbero yo kwerekana ko Imana izi amanyanga yose abantu bakora. Ati Umwami Dawudi ni we yovuga iyo nkuru. Vyongeye, ngo icaha, si igikorwa arico yise «acte» mu rurimi rw'igifaransa; ahubwo ngo icaha ni kirya ciyumviro kikwosha kugikora; na kare ngo ikibi, inabi, iva imbere mu mutima.

**Christine NAHIMANA**



# Iyemezwa ry'Integuro y'Ibwirizwa ryerekeye amasezerano yo mu karere ka Afrika yo hagati ajanye no kugenzura ibigwanisho bitobito bicira umuriro, amasasu yavyo, hamwe n'ibikoresho bishobora gufasha mw'ihingurwa ryavyo, bakunze kwita « Amasezerano y'i Kinshasa »

Kuva mu 2010, ibirwanisho vyagiye birasamburwa. Ivyo ni ivyashikirijwe ku munsi wa kabiri, igenekerezo rya 15 nyakanga 2020 n'Umushikiranganji w'Intwaro yo hagati mu Gihugu, Iterambere ry'Amakomine n'Umutekano, aho yabanje gutoranya ubwoko bwavyo : ibirwanisho binini binini 4, inkoho ntonto 2.136, ibirwanisho biturika 1.622, ibisasu 129, ibigwanisho biturika bateza iminwe 21.615, ibirwanisho biturika bisambura ibiraro 155, ibisasu ntezwankoho 190, ibisasu bituma ibindi birwanisho biturika 256 na ibikoresho vy'ibirwanisho 385.562. Komiseri Mukuru w'igiporisi Gervais NDIRAKOBUCA yari umutumire mu Nama Nshingamateka kugira asigure Integuro y'Ibwirizwa yerekeye ukwemeza amasezerano yo mu karere ka Afirika yo hagati ajanye no kugenzura ibigwanisho bitobito bicira umuriro, amasasu yavyo, hamwe n'ibikoresho vyavyo bishobora gufasha mw'ihingurwa ryavyo, bakunze kwita « Amasezerano y'i Kinshasa ». Mu mvo n'imvano, iyo ntumwa ya Reta yabanje kugabisha. Ati iyi Nteguro y'ibwirizwa si ubwa mbere ihinyanyurwa. Ari nakwo kwibutsa ko mu 2016, iyi Nteguro y'ibwirizwa yemejwe mu Nama Nshingamateka no mu Nama Nkenguzamateka. Yamara ngo iryo yemezwa ryahereye mu nzira, ku mvo zitabavuyeko. Ati naho Uburundi bwamaze gutera intambwe iboneka mu gushira mu ngiro imigambi ijanye no kurwanya irwirirana ry'ibirwanisho bitobito bicira umuriro no ku bijanye n'amategeko Uburundi bumaze gushiraho ku vyerekeye kwisunga amategeko y'akarere na mpuzamakungu bwiyemeje, ngo birakenewe cane ko Uburundi



bwemeza aya masezerano y'i Kinshasa kubera akarusho kayo, gafatiye cane cane kuri ibi bikurikira :

Ukwubahiriza kiremwa muntu biciye mu kurwanya amabi aturuka ku birwanisho, hamwe no kugabanya ububabare bw'abashikiwe n'ayo mabi aturutse ku rudandazwa no ku guhanahana ibigwanisho bitobito bicira umuriro, amasasu yavyo, hamwe n'ibikoresho vyofasha mw'ihingurwa canke mw'iteraterana ryavyo muri Afirika yo hagati; mu kwubahiriza iterambere ridakumira hamwen'intahe y'ubuhamya bw'amashirahamwe adaharanira ivyicaro vya poritike, mu mugambi wo kwigisha no guhimiriza abenegihugu; mu gushiraho itororokanirizo rikurikirana ubuhinga bwa none, ivyerekeye ibigwanisho mu karere, ama Reta asabwa gufata ingingo mu bihugu vyabo, hamwe no kwisunga iziri muri aya masezerano, ariko hubahirijwe ubwigenge bw'ivyo bihugu; mu kwitwararika ivya nkenerwa mu kubungabunga no mu kugarukana umutekano, kwivuna abansi hamwe no kuja hamwe n'ibindi bihugu mu bikorwa vyo kubungabunga amahoro.Amatungo niyo nkwezi y'amarere; nk'uko vyashikirijwe n'umwe mu bashingamateka aho yagaragaje ko mu turere turwiriyemwo ubutare, ariho usanga harirave mwene ivyo birwanisho bitobito bicira umuriro.

Kubw'iyo ntumwa ya Reta, gukingira ubutare ni igikorwa ca Reta ihanzwe imbere ya vyose n'umutekano w'abenegihugu. Ngo nayo ubundi, nta munyamahanga yovogera Uburundi yitwaje yuko azanywe n'uguhiga ubutare. Hari n'uwundi mushingamateka yaterereye iciyumviro c'uko ibigwanisho bifashwe canke vyashaje vyohindurwamwo utugenegene. Tureste ko yashigikiye ico ciyumviro, Umushikiranganji w'Intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere ry'amakomine n'umutekano, yarunganiye mu kumenyesha ko mu bindi bihugu vyaciye mu ntambara, mwene ivyo birwanisho bishingurwa mu mazu y'iratiro.

**Christine NAHIMANA**

# Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yarifadikanije n'abakirisu ba Katorika b'i Muyinga mu guhimbaza Yubire y'umwakaka ya diyoseze ya Muyinga.

Ku munsi wa gatandatu igenekerezo rya 5 myandagaro 2020, Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka, Umushingamateka Sabina Ntakarutimana, yaraserukiye Leta y'Uburundi mu birori vyo guhimbaza Yubire y'imyaka 50 ya diyoseze ya Muyinga, hamwe no kwatirwa kw'abasaseredoti bashasha muri iyo diyoseze. Ivyo birori vyaranzwe ahanini n'inkuka y'imisa bikaba vyabereye ku kibuga c'umupira w'amaguru Umuco kiri ku murwa mukuru w'iyo ntara. Hakaba hatiwe abapatiri 10, abadiyakoni 7, abasomyi 10 hamwe n'abakorezi 10. Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Umushingamateka Sabina Ntakarutimana yarashimye imigenderanire myiza iri hagati ya Reta y'Uburundi na Ekereziya Katorika, ibonekera cane cane mu bikorwa Ekereziya Katorika ikora vyo gushigikira imigambi y'iterambere ya Reta. Ati kubona Leta yarungitse uwuyiserukira muri ibi birori bihambaye nk'uku vyerekana ko igomba gushigikira cane amashengero yemewe mu Burundi. Niko guhamagarira abarongoye Ekereziya Katorika guhimiriza abakirisu kwinjira mu makoperakive yo kwiteza imbere kuko azobateza imbere yongere ateze imbere igihugu kuko turi kumwe twese bishoboka. Umushingamateka Sabine Ntakarutimana akaba kandi yarongeye gusaba abarongoye Ekereziya Katorika guhimiriza urwaruka ruri mu mihari y'ubutumwa ko boja nabo nyene mu makoperative bagakora imigambi y'iterambere kugira ngo



bazoshigikirwe biciye muri ya banki y'urwaruka BIJE. Yaciye kandi yongera kubasaba ko boja barahanura urwaruka ntiruje rurumviriza ababa bagomba kurukwegera mu nyifato mbi zo guhungabanya igihugu.

Muri iki gihe Abarundi bari barahungiye mu bindi bihugu bariko barahunguka ku bwinshi, Umushingamateka Sabina Ntakarutimana yari yaserukiye Reta muri ivyo birori yasavye abakirisu bo ngaho i Muyinga kwakira neza abo Barundi benewabo banababafashe ingene basubira gutangura ubuzima bushasha mu gihugu cabo. Ikindi yasavye abarongoye Ekereziya Katorika, n'ukwama bibutsa abakirisu kugendera impanuro bahabwa n'abaganga ku bijanye no kurwanya ikiza Corona Virus. Kw'izina ry' Umukuru w'igihugu c'Uburundi Nyenicubahiro Varisito Ndayishimiye, Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba yaciye ashikiriza ibahasha yo gushigikira diyoseze ya Muyinga muri ivyo birori.

Musenyeri wa diyoseze ya Muyinga Yohakimu Ntahondereye nawe, akaba yaratanze impanuro kuri abo bari bahejeje kwatirwa ko bogendera iryo banga koko, ntibaze badohoke, aca abashikiriza ibimenyetso biranga iryo banga ry'ubusaseredoti. Ivyo birori bikaba vyari vyitabwe kandi n'abashingamateka hamwe n'abakenguzamateka batowe ngaho i Muyinga ,bamwe mu bashikiranganji hamwe n'izindi ndongozi, bikaba vyarangiye bivuna umusase.

**J B Claude NIJIMBERE**

# Impinyanyuro n'iyemezwa ry'integuro y'ibwirizwa rigenga urwego rugenzura isoko ry'imitahe

Ikigo corohereza abanyamitahe, API mu mpfunyapfunyo yo mu rurimi rw'igifaransa, cibanda ku banyamitahe mu gihe urwego ruzogenzura isoko y'imitahe, ARMC mu mpfunyamfunyo ari ihwaniro ry'abanyamitahe n'abariko barayirondera.

Iyo ni insiguro yatanzwe n'umushikiranganji ajejwe Ikigega ca Leta ku munsi wa gatatu, igenekerezo rya 9 Nyakanga 2020, aho abashingamateka bariko barahinyanyura Integuro y'Ibwirizwa igenga Urwego rugenzura isoko y'imitahe. Iyo nteguro y'Ibwirizwa yemejwe ijana kw'ijana, ifise kandi kabirya mu gihe ariyo nteguro y'ibwirizwa ya mbere abashingamateka bo mu Kiringo ca 2020 gishira 2025 bahereyeko kwiga. Ku bashingamateka bibaza ko ARMC ari igisata kitari gikwiye kubaho, ivyo bakabivuga bafatiye ku kindi gisata mwen'ico gisanzwe kiri mw'i banki nkuru y'igihugu BRB. Umushikiranganji Domisiyano Ndihokubwayo yarahakanye ko ata nzego zinjiranamwo. Iyo ntumwa ya Reta ibona ahubwo ko ari akunguko, mu gihe ico gisata co muri BRB gisanzwe gifise uburambe muri ako kazi. Mbere ngo ntacobuza ico gisata co muri BRB ko cimukira muri ARMC. Mu ntumbero yo gusobanurira neza abashingamateka, umushikiranganji w'Ikigega ca Reta, mu mvo n'imvano, yashimikiye ku mamuko ya ARMC. Ati hisunzwe ingingo y'amasezerano yashinze umuryango w'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko, EAC mu mpfunyapfunyo yo mu rurimi rw'icongereza, yerekeye gushira mu ngiro imigambi yo guteza imbere amasoko y'imitahe, Reta y'Uburundi yarashizeho, mu mwaka w'2009, umurwi w'igihugu ujejwe gutegura umugambi w'iterambere ry'amasoko y'imitahe mu Burundi.



Kuva mu mwaka w'2011, Reta y'Uburundi, ishigikiwe n'Ibanki y'isi yose, yaratumyeko umuhinga kugira ngo afashe uyo murwi w'igihugu mu ntumbero yo kwiga no gutegura ibikenewe kugira mu Burundi hashingwe isoko ry'imitahe. Muri ivyo harimwo ivyo gutegura amabwirizwa n'amategeko azogenga iryo soko. Ni muri iyo ntumbero Inama y'abashikiranganji yabaye muri ruheshi 2012, yaciye ifata ingingo yo gutegura Integuro z'amabwirizwa zibiri; iya mbere ikaba igenga isoko y'imitahe, iya kabiri nayo ikaba igenga urwego rw'igihugu rujejwe kugenzura iyo soko y'imitahe. Aho tugeze, ibwirizwa nomero 1/05 ryo kuwa 27 ruhuhuma 2019 rigenga isoko y'imitahe ryaragiyeho, rishizweko umukono n'Umukuru w'Igihugu. Yamara, kugira iryo bwirizwa rishobore kuja mu ngiro, ni ngombwa ko habaho urwego rw'igihugu rujejwe kugenzura iyo soko y'imitahe. Urwo rwego rw'igihugu rujejwe kugenzura isoko y'imitahe, arirwo ARMC, ruzoba ari ishirahamwe rya Reta y'Uburundi, ryigenga mu vy'intwaro, mu vyo rikora no mu vy'ubutunzi rikoresha. Umushikiranganji w'ikigega ca Reta akaba ariwe ariserukira muri Leta. Urwego ARMC ruzokora imirimo rujejwe mu bwigenge, rukazoshikiriza icegeranyo c'ibikorwa umushikiranganji ajejwe ikigega ca Reta. Ubwo bwigenge burakenewe cane kugira ngo urwego rw'igihugu rugire igihagararo c'amashirahamwe ameze nka ryo yo mu bindi bihugu vyo kw'isi asanzwe ahurikiye mu runani mpuzamakungu rw'amashirahamwe agenzura amasoko y'imitahe, mu rurimi w'igifaransa bita « Organisation Internationale des Commissions des Valeurs Mobilières », ariyo OICV mu

mpfunyapfunyo. Urwo runani mpuzamakungu, OICV, rwashinzwe mu mwaka w'1983, rukaba rufise icicaro i Madrid mu gihugu ca Espagne.
Mu bihugu vyo mu muryango wa Afrika y'Ubuseruko, Uburundi na Sudani y'amaja epfo nivyo vyompi bitari bwashinge ARMC.

**Christine NAHIMANA**

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yarakiriye urumuri rw'amahoro mu ntara yatowemwo ya Kayanza

Urumuri rw'amahoro rumurikira iterambere, nk'uko Umukuru w'Inama



Nshingamateka Gelase Daniel NDABIRABE yabishikirije ku munsi wa gatandatu, igenekerezo rya 19 nyakanga 2020 mu gihe yariko arakira urumuri rw'amahoro mu ntara yatowemwo ya Kayanza. Kubera ko rwari ruvuye mu Cibitoke, Buramatari w'iyo ntara niwe yaciye arushikiriza mugenzi we arongoye intara ya Kayanza. Koroneri Rémy CISHAHAYO nawe yaciye aruhereza Umukuru w'Inama Nshingamateka. Ivyo birori vyabereye muri komine ya Muruta, ku masanganzira y'imitumba ya Kavuka, Kinga na Yanza, vyabandanirije ku murwa mukuru w'intara ya Kayanza, aho abenegihugu, mu kanyamuneza, bari mu rugendo, bagenda biruka bongera banavyina. Urumuri rw'amahoro rwarahagaze ahariko harubakwa inyubakwa y'igorofa, izoba ari ibiro vya Buramatari w'intara. Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe yaciye yifatanya n'abenegihugu mu kuvanga urucekeri n'isima mu ntumbero yo gukora ibeto. Yaciye aja ku murongo wo guhererekana iyo beto bayiduza ku nkingi zo kwi goropfa ya mbere.
Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe



yabandanije amenyesha ko urumuri rw'amahoro rumurika mu mitima yacu kugira ngo aboba bafise ivyiyumviro bibi, nk'ubusambanyi, ubusuma, ubwangushi n'ibindi, bive mu mitima yabo. Ati uru rumuri ni umuco, umuco utumurikira iyo turiko turaja. Yaboneyeho no kwibutsa abenegihugu bari aho ijambo ryavumerewe n'Umukuru w'igihugu, aho yamenyesha ko kuwa 19 myandagaro 2020, Reta arongoye yari ihejeje gutunganya imigambi, n'ingene bazoyishira mu ngiro. Jenerare Majoro Varisito Ndayishimiye ngo yaboneyeho gukurira inkoni ku gishitsi ko ikiringo Abarundi bari bamazemwo bihereza amana, ubu caheze, ubu ngo Reta yihaye ibikorwa. Ati ubu uwo ariwe wese azohora afungura ari uko akoze. Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe yasozereye ijambo ryiwe yipfuriza abenegihugu bo mu ntara ya Kayanza ko urwo rumuri rwomurikira umwe wese kugira ngo amenye ico agiye gukora muri iyi Reta Nkozi, Reta Mvyeyi, Reta

Nsenzi.

Yongeyeko ko uru rumuri ari urumuri rw'amahoro, kugira twese turonke umuco wo kugira ngo aho twahora turabana nabi, urwo rumuri ngo rugarutse gusubira kubamurikira kugira ngo basubire bakundane. Ati ni urumuri rumurikira ibikorwa. Ni ikimenyamenya ngo ni uko abenegihugu baruhurumbiye, mu kanya gato bagakora vyinshi kandi banezerewe. Ati ibikorwa bizobabere umuhuza. Yasozereye atumirira ishengero ryari aho ko botandukana biyumvisemwo ko urwo rumuri rubahaye inguvu, rubashizemwo impwemu nshasha, yo guhagurukira ibikorwa, ngo aho banebwa bahagabanye, ahubwo ngo batangure kwungurana n'ivyiyumviro ku bijanye n'ibikorwa mu ntumbero yo kugenzura ingene boteza imbere intara yabo ya Kayanza, ndetse ngo n'izindi ntara. Ati aho hose hazoca urumuri



ruhasige ikimenyetso c'urukundo n'umwumvikano, ubutungane, n'ibikorwa ; ngo gurtyo igihugu c'Uburundi cogorore ubutagisubira inyuma. Inyuma y'iryo jambo ryashikirijwe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka, urumuri rw'amahoro rwaciye rwerekeza aho bita i Maridadi, muri komine ya Busiga yo mu ntara ya Ngozi. Buramatari w'intara ya Kayanza yaciye aruhereza mugenzi we aramutswa intara ya Ngozi, Epipode Baranyikwa nawe yaciye arushikiriza umupfasoni Denise Bucumi Nkurunziza. Mukibukako umunega wiwe, Umuhisi Perezida Petero Nkurunziza ariwe yatanguje ico ciyumviro c'urumuri rw'amahoro.

**Christine NAHIMANA**

# Abashingamateka barize bongera baremeza integuro y'Ibwiriza risubiramwo itegeko bwiriza nimero 1/037 ryo ku wa 7 mukakaro 1993 risubiramwo itegeko rigenga akazi mu Burundi.

Inama Nshingamateka yarize mu nama ya bose irongowe na Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe kw'igenekerezo rya 17 Nyakanga 2020 integuro y'ibwirizwa nomero 1/037 yo ku wa 7 Mukakaro 1993 risubiramwo itegeko rigenga akazi mu Burundi. Ikaba izotuma abakenyezi bari mu karuhuko k'akazi badugirizwa uturusho bahora baronka mu gihe baba bibarutse na cane cane ku bakenyezi bakorera mu buzi bw'abikorera utwabo kuko bagiye kuronswa igice c'umushahara. Umushikiranganji w'abakozi n'akazi Domina Banyankimbona akaba ariwe yari yaserukiye Reta ngo atange imvo n'imvano yotuma iyi nteguro



y'ibwirizwa ihinyanyurwa. Abashingamateka bari aho n'abari batumye bakaba bayemeje bose. Iyi nteguro y'ibwirizwa rero ikaba izanye uturusho twinshi na cane cane ku bakukuruke bongerejwe imyaka y'ugukukuruka gushika kumyaka 65 ariko iyahahora

yategekanya imyaka 60. Akandi karusho ni uko rije kugabanya gose ingorane z'ukutanganya amahirwe y'ukuronswa akazi , kandi iyi nteguro ije gutuma abakozi bo mu nzu nabo baronswa amategeko abagenga y'akazi, iyindi nyungu iri muri iyi nteguro y'ibwirizwa ni uko ije gutorera inyishu ibibazo bijanye n'intureka zahahora mu bijanye n'amasezerano y'ubuzi. Iyi nteguro rero naho ibonetse yarahuye n'ibibazo mwitunganywa ryayo kuko iciyumviro catanguye kuva 2000 ariko ikaba yagiye iraburabuzwa akarenga kabiri aha twovuga nko muri 2007 hamwe na 2011 nkuko umushikiranganji yabandanije abimenyesha. Iyi nteguro rero yahavuye iboneka mu mwaka w'2020 kuva aho ibiro vy'Umukuru w'Igihugu bishiriyemwo inguvu bikagena umurwi uhurikiyemwo abakozi, abakoresha hamwe na Reta. Abashingamateka babandanije babaza igituma Reta yongereje imyaka y'ugukukuruka gushika kuri 65 kandi urwaruka rushomereye ari rwinshi. Umushikiranganji yaratanze inyishu avuga yuko Reta Mvyeyi, Reta Nkozi yabonye yuko kenshi mu Burundi iyo umukozi akukurutse bimeze nko kuja gupfa kubera amikoro make arivyo vyatumye Reta ishiraho n'izindi ngingo nko kuvuza abakukuruke ku buntu hamwe no kwongereza agahembo ku mukukuruke. Twomenyesha ko inyuma yaho Inama Nkenguzamateka yigiye iyo Nteguro y'Ibwirizwa, igahava ishinga ko imyaka yo gukukuruka yoguma ku 60, Inama Nshingamateka yaciye iyemeza, gutyo imyaka yo gukukuruka ica iguma ari 60.

**Christine NAHIMANA**

# Umugwi CVR waratanguje mu ntara ya Makamba igice kigira kabiri c'igikorwa co kurondera ibisigarira vy'Abarundi bishwe mu mwaka w'i 1972.



Ibinogo rusangi cumi nivyo vyabonetse muri komine ya Vugizo mu ntara ya Makamba. Umunani biri i Gikuzi ahahora umugwa mukuru wa komine, ibindi bibiri navyo biri hafi yaho, kimwe muri ivyo kikaba ari ikinogo c'akazu ka sugumwe catawemwo abantu bagera ku 30. Ivyo binogo rusangi vyose vyashizwe ahabona ku munsi wa kabiri igenekerezo rya 15 nyakanga 2020 n'umugwi ujejwe ukuri no kurekuriranira CVR mu bikorwa vyo gutanguza icese igice ca kabiri co kurondera i Makamba ibisigarira vy'abarundi bishwe mu mwaka w'i 1972. Ivyo bikorwa bikaba vyari vyitabwe n'Icegera ca Mbere c'Umukuru w'Inama Nshingamateka umushingamateka Sabina Ntakarutimana.
Umukuru w'umugwi CVR Pierre Karaveri Ndayicariye mw'ijambo yashikirije, yabanje guhoza ababuriye bose muri ubwo bwicanyi, bakaba mbere bataronse n'akaryo ko kubagandarira. Ati abicwa

bazanwa nk'impene zigiye kubagwa, bakaza bazi ko baje kwitaba inama yatumweko na musitanteri wabo. Niko kumenyesha ko musitanteri w'ico gihe akiriho, umugwi CVR uzomwegera akagira ico ashikiriza ku vyabaye. Abahitanywe n'ico kiza bakaba bava ahanini ku misozi 20 y'iyo komine ya Vugizo. Ibiro vya komine bikaba vyaciye vyungururizwa mu kindi kibanza kuko ababuriye ababo aho komine yahora ikorera vyabagora kuza gusaba ijambo ahahambwe ababo. Yarongeye ati ibisigarira vyatowe na CVR vy'umwana w'amezi atatu yicanywe na nyina wiwe hamwe n'abo bavukana birerekana ingene bwari ubwicanyi buteye agahinda kandi bubabaje. Ati tugiye kubaza ababibonye bose,abavugwa ko boba babigizemwo uruhara, tugiye kurondera ukuri, Abarundi barakeneye kumenya igituma ivyo vyose vyabaye. Ati ukuri nikwo kuzobohora Abarundi, nikwo kuzobakiza urwanko, nikwo kuzobakura mu binyoma, kuzoba ari ukuri kunywanisha, kugira ngo abuzukuru n'abuzukuruza bamenyeko amaraso y'Abarundi




yasesetse, bazovuge bati ivyabaye ntibizopfe bisubiriye kuba. Abacitse kw'icumu barashinze intahe ku vyabaye, baratanga mbere n'amazina ya bamwe mu bashorera abantu, hamwe n'abishwe ico gihe. Ico gihe kugira bazimagize ivyabaye, haciye haterwa ibiti vy'amavoka ku binogo rusangi bihambwemwo abantu, abenegihugu bo muri ako gace bakamenyeshako batigera bafungura kuri ayo mavoka. Petero Karaveri Ndayicariye yaheraheje amenyeshako mu kurondera ukuri bazishimikiza ibintu bimwe bimwe vyagiye biraba. Ati twokwibaza ingene havuzwe ko abo bita ba Mulele boba bateye igihugu kw'igenekerezo rya 29 Ndamukiza hama bukeye bwaho nyene hagaca hasohoka intonde z'Abarundi bicwa. Izo ntonde zari zakozwe na bande, kuberiki zari zamaze gukorwa, ivyo vyose nivyo umugwi CVR ugiye gutohoza ushire ahabona. Ivyo bikorwa vy'umugwi CVR ngaho i Vugizo bikaba vyarangiye ku wa 26 Nyakanga 2020.

**Arlette AKIMANA**

# Impinyanyuro n'iyemezwa ry'Integuro y'Ibwirizwa ryerekeye iyemezwa na Repuburika y'Uburundi ry' amasezerano y'ishingwa ry'inteko zo mu karere ka Afirika y'ubuseruko, EASF mu ncamake

Uburundi buhiriwe buhishije, kuko busanzwe bumaze kuronka ubuhinga n'ubumenyi mu butumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano mu makungu. Ako ni akanyamuneza kagaragajwe ku munsi wa kabiri, igenekerezo rya 15 nyakanga 2020, n'Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere ry'ama komine n'umutekano, aho yongeye ko hagiye gushingwa mu Burundi ishure ryo kwigisha ibijanye no gukinga hamwe no gutatura



amatati. Mu vy'ukuri, CPC Gerevasi Ndirakobuca yariko arasigurira abashingamateka integuro y'ibwirizwa yerekeye iyemezwa na Repuburika y'Uburundi ry' amasezerano y'ishingwa ry'inteko zo mu karere ka Afrika y'ubuseruko, EASF mu ncamake.

Naho biri uko, vyose ntivyera ngo de ! Amakenga y'abashingamateka yafatiye ku nyifato y'ibihugu bibiri bisanzwe bidacana uwaka; bikabasaba rero ingene vyoja kugarukana amahoro n'umutekano mu makungu. Yamara uyo yaserukiye Reta si uko abibona. Kuri we, ngo ukwiyunga n'ibindi bihugu ni uburyo burashe bwo kwikingira. Vyongeye, abashingamateka barashimangiye ku gihugu ca Tanzaniya cahisemwo ishirahamwe SADEC ho guhurumbira EASF. Imbere yo kuba umunywanyi w'iri canke ririya shirahamwe, igihugu kibanza kwihweza inyungu kizohakura. Ku vyerekeye Tanzaniya, ngo ico gihugu ni nk' « umuvyeyi » wa SADEC. Ivyiza, ngo ni uko ahubwo Uburundi bwosanga umugenzi waco Tanzaniya muri SADEC.

Hari umushingamateka ari mu murwi wize ushimitse iyi nteguro y'ibwirizwa yavuniye akagohe bagenzi we. Yagereranije iyemezwa ry'iyi nteguro y'ibwirizwa, n'iyinjizwa ry' Uburundi mu biro bikuru vya gisirikare ya EASF. Yamara, ngo ivyo ntibisigura ko hari ikambi iraho y'izo nteko. Gusa, ngo ibihugu bihurikiye muri EASF birakurakuranwa kurongora urwo rwego hakurikijwe urutonde rw'indome zitangura amazina y'ivyo bihugu mu nyandiko.

**Christine NAHIMANA**

# Umukuru w'Inama Nshingamateka yararongoye inama y'ihuriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zo mu bihugu bihurikiye mu karere k'ibiyaga binini FP/CIRGL.



Amahoro n'umutekano, izo nizo nkingi zibiri zitegerezwa kwubaka akarere k'ibiyaga binini, ariko zikunze guhungabanwa cane mu karere. Zitegerezwa kwubakwa n'Abanyafrika nyene kandi bisunze imibereho yabo. Ivyo vyashikirijwe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe mu nama yariko ararongora y'Ihuriro ry'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka yo mu bihugu bihurikiye mu Karere k'Ibiyaga binini FP/CIRGL nk'uwurongoye iryo huriro muri iki kiringo. Ivyo akaba yabishikirije yishura ku vyegeranyo vyari vyashikirijwe n'umugwi ujejwe amahoro n'umutekano muri iryo huriro. Iyo nama ikaba yabaye biciye mu buhinga bwa none ivyo bita



vidéoconférence mu rurimi rw'igifaransa.
Kubwa Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe, n'imbere y'uko abazungu baza muri Afrika, Abanyafrika bari bafise ukuntu bateramira amahoro n'umutekano vyabo. Ati ariko ubu, ivy'amahoro n'umutekano Abanyafrika umengo baca bategerezwa kubibona nk'uko abo mu bihugu vya rutura babibona. Abo nabo bashira imbere umutekano mu vy'ubutunzi ntibashire imbere umutekano wa kiremwa muntu. Ariko, mu kurondera umutekano mu vy'ubutunzi bakoresha ibikoresho bigezweho vyo kugwana intambara, ati ibihugu vya Afrika vyari bikwiye kubiraba neza bigakora amatohoza kuri ivyo. Agahamagarira abashingamateka bo muri iryo huriro kuja barahagarara cane ku mahoro n'umutekano, n'ingene vyoboneka burundu muri aka karere k'ibiyaga binini. Kubaho no kumeregwa neza mu buzima ntibifatiye ahanini ku matungo, ni naco gituma Abanyafrika bari bakwiye kubona amahoro n'umutekano ukundi, bitandukanye n'ingene ibihugu vya rutura bibibona.
Ikibazo cashikirijwe n'umunyamabanga mukuru w'iryo huriro, n'ikijanye n'ibiringo vy'umunyamabanga mukuru nk'uko itegeko ribivuga afise ikiringo c'imyaka itatu congerwa rimwe gusa. Uwahoze ari umunyamabanga mukuru yarongewe ikiringo nk'uko amategeko abivuga, ariko uwuhari ubu inama idasanzwe ya bose yabaye yafashe ingingo ko itamwongera ikiringo, agasaba Nyeniteka Gelase Daniel Ndabirabe, nk'uwurongoye iryo huriro, ko yomurenganura. Yamwishuyeko naho arongoye iryo huriro, adashobora kuvuguruza ingingo yafashwe n'inama ya bose. Ariko naho biri ukwo, arashima ingene iryo huriro ribandanya rikora. Ni naco gituma yaciye yemera ko agiye gukora ibishoboka vyose kugira yegeranye uburyo bukenewe kugira ngo ihuriro rikore neza.
Muri iyo nama, icibonekeje n'uko vyinshi mu bikorwa vyari bitunganijwe bitaranguwe, ibindi vyigizwa imbere, bivuye ku kiza ca Corona Virus. Ni naco gituma n'iyo nama nayo nyene bariko bayikora biciye ku buhinga bwa none. Umunyamabanga mukuru w'iryo huriro akaba yasavye abariko bakurikirana iyo nama bose gufata akanya bahaguruke mu kwibuka nyakwigendera Perezida Petero Nkurunziza, yongera arahoza Abarundi bose. Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi akaba ari nawe arongoye iryo huriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zo mu bihugu bihurikiye mu Karere k'Ibiyaga Binini FP/CIRGL, akazosubirigwa n'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka ya Kenya. Nayo Umukuru w'Igihugu ca Congo Brazaville akaba ari we arongoye Inama y'Abakuru b'ibihugu vyo mu Karere k'Ibiyaga Binini.

Christine NAHIMANA


# INAMA NSHINGAMATEKA

**UMUKURU W' IYANDIKIRO**

J. Bosco NDAYIZEYE

**ABANDITSI**

Arlette AKIMANA
J.B claude NIJIMBERE
Christine NAHIMANA
J. Claude BUMWE

**AMASANAMU**

Richard NDAYISENGA
David Mwami KWIZERA